Bujumbura, kuwa 16 Ruheshi 2017 vol 24/017 UKURI

ISHIRAHAMWE RY'UBUMWE BWA BURAYA RYARASOHOYE ITANGAZO RYIYAMIRIZA IMVUGO YA LETA Y'I BUJUMBURA IRYAGIRIZA GUFASHA ABAHUNGABANYA UMUTEKANO MU BURUNDI.

Inyuma y'aho leta y'i Bujumbura isohoreye kur'uyu wa 05 Ruheshi 2017 urwandiko yagiriza ishirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya ko, rifadikanije namwe mu mashirahamwe yigenga mu Burundi muguhungabanya umutekano, no kuba ryagumye rishaka guhungabanya umutekano mu Burundi kuva mu mwaka wa 2014, iryo shirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya ryahavuye risohora itangazo kur'uyu wa 07 Ruheshi ryiyamiriza ivyo ryise ibinyoma vy'ubutegetsi bwa leta ya Petero Nkurunziza.

Muri iryo tangazo ry'ubumwe bwa Buraya, igisata kijejwe kumenyesha amakuru c'iryo shirahamwe i Bujumbura cariyamirije ivyo leta ya Petero Nkurunziza ibagiriza. Iryo shirahamwe ryaciye rimenyesha ko iyo leta yagize nkana kwagiriza iryo shirahamwe mu kubaremeka inteba ishushe aho bise imfashanyo ihabwa amashirahamwe yingenga n'abaharanira agateka ka zina muntu nk'intererano yo gufasha guhungabanya Uburundi.

Iryo shirahamwe ryaciye ryibutsa ko muvyo rijejwe harimwo gufasha ayo mashirahamwe no gufasha abayahurikiyemwo n'imiryango yabo mu gihe cose ubuzima bwabo bubangamiwe.

Ishirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya ryaheraheje rimenyesha ko rizobandanya rifasha itunganywa ry'ibiganiro vyo gutorera inyishu ibibazo biri mu Burundi no gutanga imfashanyo ku banyagihugu b'abarundi.

M.Dior

UMUKURU W'IGISAGARA CA BUJUMBURA YARABURABUJE IKIGANIRO CARI CATEGUWE N'ABASHINGAMATEKA BAHURIKIYE MU RUNANI AMIZERO Y'ABARUNDI.

Mu gihe abashingamateka bahurikiye mu runani AMIZERO Y'ABARUNDI bari batunganije, kur'uyu wa 09 Ruheshi 2017, ikiganiro ku banditsi n'abamenyeshamakuru, umukuru w'igisagara ca Bujumbura Freddy Mbonimpa yarimanye uruhusha. Iyo ngendo ikaba yariyamirijwe n'abo bashingamateka aho bamenyesheje ko uwo mukuru w'igisagara ca Bujumbura yahonyanze ibwirizwa shingiro kandi ko iyo nyifato igaragaza intwaro y'igikenye.

Tatien Sibomana umwe mubahurikiye muri urwo runani yagize ati:" ***Ico novuga n'uko ari ibiterasoni kuko baramutse baja mu nama nshingamateka bakagira umurwi wemewe, ko bobabuza kugira ico bashikirije abarundi n'amakungu ku bibazo ibi canke biriya, numva ari bimwe vy'ukutubahiriza amategeko kuko n'ibintu barekuriwe n'ibwirizwa shingiro hamwe n'amategeko agenga inama nshingamateka. Ica kabiri n'uko baba abo muri mizero y'abarundi baba n'abandi barundi bose, kugira ico bashikirije n'uburenganzira bwabo, kuko n'ibwirizwa shingiro ribubaha. Murumva rero ko ari ukubandanya bahonyanga amategeko n'amateka y'igihugu.***"

Tatien Sibomana yarangije amenyesha ko Freddy Mbonimpa yahonyanze ingingo yemejwe na sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro kuwa 17 Myandagaro 2015, iyo nayo ikaba yemerera urunani AMIZERO Y'ABARUNDI gukora nk'umugambwe.

B.Armel

UMUGAMBWE MSD WARAKWIJE IMYAKA UMUNANI UMAZE WEMEREWE GUKORERA KUMUGARAGARO N'AMATEGEKO Y'UBURUNDI.

Kur'uyu wa 08 Ruheshi 2017, umugambwe MSD wararumanije imyaka umunani umaze wemerewe gukorera ku mugaragaro mu gihugu c'Uburundi.ukaba kandi wararumanije imyaka cumi uwo mugambwe ushinzwe. Yamara ngo n'ubwo biruko, ngo uwo mugambwe wagiye uhura n'ingorane nyinshi ziturutse cane cane k'ubutegetsi bwa CNDD-FDD. Ariko rero, izongorane ngo zatumye abanywanyi b'uwo mugambwe bakorana ishaka bongera barakomera.

Francois Nyamoya Umushingwamanza akongera akaba umunyamabanga mukuru w'uyo mugambwe yagize ati:" ***Muri iyi myaka umunani twararonse ingorane nyinshi cane. Kandi muvy'ukuri si imyaka umunani, ni imyaka cumi kuko umugambwe washinzwe haraciye imyaka cumi, mugabo twaramaze hafi umwaka n'igice bataratwemerera gukorera ku mugaragaro baguma batujuragiza. Kandi no mu nyuma bamaze kutwemerera twaragize ingorane nyinshi cane kuko turafise n'abanywanyi benshi bahasize ubuzima bazira ivyiyumviro vyabo, benshi bafunzwe hamwe n'abandi bahunze. Ingorane zabaye nyinshi cane. Mugabo rero izo ngorane zaduhaye inguvu, hakuduca inkokora zaduhaye inguvu nyinshi, zitwigisha gukorera mu ngorane, zitwigisha kutadohoka kw'ibanga, zitwigisha kandi gukora n'ishaka ryinshi n'aho hoba hariho imitego myinshi ya leta. N'ukuvuga y'uko ikintu gikuru twakuye muri iyi myaka, baratwigishije gukomera kandi bigatuma n'icizere kigumaho kuko ico duharanira ntankeka tuzoteba tugishikako, irya ntwaro ya Nkurunziza igateba ikahava.***"

Ku kibazo cerekeye ko leta ya Petero Nkurunziza ishaka kwegurira umugambwe MSD abanywanyi ba CNDD-FDD, Francois Nyamoya yamenyesheje ko atagishasha kirimwo ngo kuko leta y'i Bujumbura yamanye uwo mugambi wo gucanishamwo abanywanyi b'uwo mugambwe. Yagize ati:" ***Turabikurikirana cane, ku musi ku musi kandi ku mwanya wose. N'ibintu mu vy'ukuri bimaze igihe kinini cane. Haraciye imyaka myinshi bageragaza kugira ivyo bintu vya nyakuri ku mugambwe MSD. Imyaka myinshi vyarabananiye, mugabo n'ubu twaravyumvise ko n'ubu basubiye kuvyura akariro kugira barabe ko boshika kuri uwo mugambi. Mugabo twebwe nta n'ico bitubariye kandi nta n'ubwoba biduteye. Ntaco bivuze kuko ntaco bishobora gushikako. Nta ntumbero n'imwe bazoshikako kuko umugambwe MSD uramaze gutsimbatara cane kandi waramaze gushing' imizi, n'ivyo bokora vyose ntivyobuza y'uko urugamba tururubandanya. Kuri twebwe rero ntanakimwe bitubwiye atar'uko leta yonyene iguma yimaramaza imbere y'amakungu nk'uko iguma ibikora.Bizocafuza leta kurushaho twebwe, kuko nta n'umwe azokwemera ibintu bizoba bivuye muri ivyo bintu bariko barategura. N'amakungu bibaza ko bariko barahenda, ntagihendwa n'ivyo bintu. Abakoreshwa nabo ico nobabwira nuko bofungura amaso bakaraba ivyirirwa biraba imisi yose, barabe ibishikira abahejeje gukoreshwa n'iyo ntwaro nyene, ejo ntibaze bavuge ngo barahenzwe babonye ibigira bibashikire.***"

B.Armel

UMUSI WAHARIWE AKARANGA N'UKWINONORA IMITSI WARATUNGANIJWE N'ISHIRAHAMWE BURUNDAIS DYNAMIQUES RIHURIKIYEMWO ABARUNDI BAHUNGIYE MU GISAGARA CA KIGALI MU GIHUGU C'URWANDA.

Kur'uyu wa 10 Ruheshi 2017, ishirahamwe BURUNDAIS DYNAMIQUES rihurikiyemwo abarundi bahungiye mu gisagara ca Kigali ryaratunganije umusi wahariwe akaranga no kwinonora imitsi.

Igihe c'isaha y'indwi y'umuhingamo niho abarundi bagera ku 2000 bari bakoraniye mu kibanza AUBERGE BEL ANGLE kiri ahitwa i Kimironko mu karere ka Gasabo mu muji wa Kigali. Umurisho w'ingoma, intambo z'ikirundi n'ibicuba, ivyese n'inkino za JUDO na Karate nivyo vyagaragaye mu bikorwa vyari vyatunganijwe kur'uyo musi mu ntumbero yo kuryosha ibirori.

Mu majambo yashikirijwe yaba umukuru w'iryo shirahamwe canke n'abatumire b'iteka, aha twovuga nk'umuyobozi wa Maison Shalom hamwe n'uwuserukira impunzi mu miji igize Urwanda, bose barashimye ukuntu abanywanyi b'iryo shirahamwe badahengeshanya kwerekana ubutwari n'ugukorera hamwe n'aho bari mu buzima butoroshe bw'ubuhungiro.

Ivyo birori vyasozerewe ku muhingamo nk'igihe c'isaha 11 aho basangira ibinyobwa mu ntumbero yo kugaragaza ubucuti bafitaniye. Bamwe mubari batumiwe muri ivyo birori bamenyesheje ko ibikorwa vy'iryo shirahamwe arivyo gushima no gushigikira ngo kuko uravye isinzi ry'abari bavyitavye bigaragara ko bakora bashira hamwe. Baciye bahamagarira n'iyindi mirwi yose ihurikiyemwo impunzi z'abarundi gukora bashira hamwe mu ntumbero yo gutsimbataza umuco n'akaranga vy'Uburundi. ***I.Axel***

ITANGAZO RY'INAMA NKURU Y'APESIKOPI GATORIKA BO MU BURUNDI INYUMA Y'IKORANIRO RYABAHUJE KUVA KUVA KUWA 06 GUSHIKA KUWA 09 RUHESHI 2017.

Kur'uyu wa 09 Ruheshi 2017, inama nkuru y'abepisikopi gatorika mu Burundi yarasohoye itangazo ryo gusozera ikoraniro ryabaye kuva kw'igenekerezo rya 06 gushika kurya 09 Ruheshi uyu mwaka. Abo bepisikopi barashimishijwe n'uko ubu mu Burundi hibonekeza agahengwe mu bijanye n'umutekano ugereranije n'ibihe biheze. Ariko rero iyo nama y'abepisikopi iranegura bimwe bimwe mubiriko birabera mu Burundi. Aha bakadoma urutoke na cane cane ku ntwaro ya demokarasi itaratahurwa neza, ubu irangwa n'umubabaro, igitsure n'uguturubikwa.

Iryo tangazo ryo kur'uyu wa 09 Ruheshi rikaba ryasomwe na Musenyeri Yohakimu Ntahondereye arongoye Diyoseze ya Muyinga, akaba ari nawe arongoye inama y'abepisikopi mu Burundi. Yagize ati:" ***Mu gihugu intwaro rusangi ntirategerwa neza, ifatwa nk'uko umengo yoba irangwa n'amatora gusa. Ntibashimishijwe kandi n'uko mu gihugu hakiriho ubwoba n'amakenga y'uko kazoza gashobora kutaba keza kubera uguhorerana no gutara mu nda kwabatari bake, kubera umubabaro baterwa n'igitsure be no guturubikwa. Ikindi naco kitabahimbaye, n'uko uyu mwaka indwara ya malariya yabaye ikiza mu mihingo yose y'Uburundi, igahitana abantu benshi. Barababajwe kandi n'ikena ry'ibitoro rimaze imisi risongera isibe k'ubukene bwari busanzwe mu ngo no mu miryango.***"

Naho nyene babona ko agahengwe kahari ubu kadashobora gushikana Uburundi ku mahoro nyakuri, abepisikopi gatorika bararabiye hamwe ico Ekleziya Gatorika yoterera. Kubwabo, basanze bobandanya igikorwa batanguye co kwumviriza no kuremurura abantu imitwaro basanganywe ijanye n'ibikomere bagize muri kahise. Musenyeri Yohakimu Ntahondereye yarongeye agira ati:" ***Barasubije amaso inyuma kuri kahise k'igihugu cacu basanga ahanini abarundi bagumye babuzwa amahoro n'akabi k'ibikomere vy'umutima bitavuwe ngo bikire bakaguma babigendana batabizi canke bakavyirengagiza. Inkwirikizi mbi y'ivyo, n'impengamiro yo guta umwikomo ku bandi no kwitwaza ingimba aho gushira imbere inama n'ingingo. Abepisikopi rero bararimbuye basanga Ekleziya yoterera cane mugukomeza no kwerekeza ku bantu bose, mu busumbasumbane bw'ivyo bashinzwe mu buzima bw'igihugu, irangurwa ry'umugambi yarisanganywe wo kwumviriza no kuremurura abantu umutwaro w'ibikomere bafise muvyerekeye imigenderanire yabo n'ubutegetsi, ikongera ikitwararika kubafasha kurekuriranira no mugusubiza hamwe.***" ***B.Armel***

ABASIRIKARE B'ABARUNDI BARI KUGARUKANA AMAHORO MU GIHUGU CA SOMALIYA BARATEWE AMAKENGA N'AKARUHUKO GATANGWA MW'IBANGA KURI BAMWE MURI BO.

Ibisongerezi bitatu vy'intwazangabo mu ntwaramiheto bahora mu karuhuko mu Burundi, mu gihe bari bavuye mu gihugu ca Somaliya iyo bari kugarukana amahoro. Bagenzi babo bakagira amakenga ku gihe kinini bari bamaze muri ako karuhuko, bakibaza ko boba bakoreshwa mu mabi atandukanye.

Abo basirikare basubiye inyuma mu gikorwa co kugarukana amahoro muri Somaliya kuwa 06 Ruheshi 2017, uwa mbere igisongerezi ca premier sergent major Ndayishimiye yari icegera c'uwujejwe ivy'ububiko muri batayo Genie de Combat yo ku Muzinda igihe yari irongowe n'umuhisi Lieutenant Colonel Darius Ikurakure, akaba yarungitswe muri batayo ya 39 ya AMISOM mu gikorwa co kugarukana amahoro muri Somaliya. Uwa kabiri ni premier sergent major Nibigira batazira Surambaya. Akaba yari uwo bita decorps muri batayo support y'intara ya mbere ya gisirikare mw'ikambi ya Muha. Abo basirikare uko ari babiri bagiye mu karuhuko kuwa 28 Ruhuhuma 2017 bakaba basubiye ku mirimo kuwa 06 Ruheshi uyu mwaka nyene. Umusirikare agira gatatu ni premier sergent major Ndihokubwayo Jeremie akaba yakorera mu ntara ya gatatu ya gisirikare. Ico benshi bamuziko n'irementanya yakora hamwe n'igandagurwa ry'abahoze mu gisirikare ca kera EX-FAB hamwe n'abanyagihugu bo mu ntara za Kayanza na Ngozi biyamirije ikiringo ca gatatu ca Petero Nkurunziza. Uwo Ndihokubwayo akaba yari yafashe akaruhuko ava aho muri Somaliya kw'igenekerezo rya 14 Ndamukiza 2017 araheza asubira inyuma kuwa 06 Ruheshi, co kimwe na bagenzi we.

Amakuru atangwa na bamwe mu basirikare bari ngaho mu gihugu ca Somaliya avuga ko ivyo bisongerezi bitatu mu ntwaramiheto Ndayishimiye, Nibigira batazira Surambaya hamwe na Ndihokubwayo, uburuhuko bwabo ngo bwasabwa mw'ibanga, ivyo ngo bikaba vyakorwa n'ibiro bikuru vya gisirikare aho ngo baza bumva bahamagarwa ngo baje ku kibuga c'indege. Bagenzi babo bakibaza y'uko aho i Bujumbura boba batumwako mu bikorwa bidasanzwe vy'ibiro vy'iperereza. Ayo makuru nyene akabandanya avuga ko icateye amakenga abandi basirikare ngo n'uko inyuma y'amezi arenga atatu bari mu karuhuko kandi bari bandikiwe imisi 12 gusa, ngo nta numwe yigeze yubahuka kugira ico abavugishije. Ivyo bisongerezi rero bikaba vyakiriwe ahitwa Academie i Mogadiscio muri Somaliya. Bamwe mubasikare bari mu gikorwa co kugarukana amahoro n'umutekano muri ico gihugu bakaba basaba ubumwe bwa Afrika eka mbere n'abatwara kontenja ya AMISOM ko bokwubahiriza amategeko ya gisirikare agenga AMISOM kugira ngo ntihabemwo aka mwana wa mama kubasirikare bose bari muri ico gihugu.

M.Dior

MU MAKAMBI Y'IMPUZI Z'ABARUNDI ZIRI MU KARERE K'IBIYAGA BININI HAVURWA AMAKI?

Kur'uyu wa 08 Ruheshi 2017, abakozi b'ibanki y'isi yose baragendeye ikambi y'impuzi z'abarundi ya Lusenda muri Congo. Basavye izo mpunzi kuja mu mashirahamwe kugira bashobore gufatwa mu mugongo mu migambi yo kwiteza imbere. Kuruhande rw'impunzi, basavye kwubakirwa ibitaro hamwe no gushigikira abanyeshure bahejeje amashure yisumbuye kugira bashobore kubandanya muri kaminuza.

Kur'uyu wa 10 Ruheshi 2017, mw'ikambi y'impunzi z'abarundi ya Mahama mu gihugu c'Urwanda haratunganijwe ibirori vy'umusi wahariwe imico n'akaranga vy' Uburundi. Kaka kabaye akaryo ku mpunzi z'abarundi ko kwerekana intambo n'imvyino ndangakaranga aho uwo musi watunganijwe mu ntumbero yo kurwanya ibiyayuramutwe. Hagati aho, aho nyene mu gihugu habaye inkino zo gusiganwa mu kwiruka n'amaguru mu gisagara ca Nyamata. Umwe mu mpunzi z'abarundi yaje ava mw'ikambi ya Mahama akaba hatahukanye ikibanza ca 2 mugusiganwa kubirometero 8. ***I.Axel***